Australian Government
Department of Home Affairs

Iprogaramu ya kominote y’ikibano

IMPINDUKA Z’IBIKORWA KUBERA COVID-19

Imfashanyo zifatiye ku nzu ya makominote y’ikibano zirabandanya kuboneka ku banywanyi muri iki gihe c’ikiza cateye ca COVID-19. Yamara, uburyo ivyo bikorwa bitangwa bushobora guhinduka bivanye n’impanuro n’ingingo abajejwe amagara y’abantu bashobora gutanga no gufata.

Mu bice vy’ inzu y’amakominote y’ibibano vyinshi, harabayeho igabanuka ry’ukubonana amaso mu yandi. Abarongozi b’inzu y’amakominote y’ikibano baguma bari mu migenderanire n’abanywanyi umwe umwe ku giti ciwe biciye kuri telefoone. Ibikorerwa mu mirwi vyimuriwe ku gukorerwa ku mirongo ngurukanabumenyi, kugira ngo bamenye neza ko ibibano biguma imigenderanire n’abarongozi bavyo, kandi ko baguma bafitaniye imigenderanire ubwabo na bo kandi ko babandanya kugira uruhara mu bikorwa bikomeye nk’akarorero amashuri bigamwo kuvuga Ikingereza.

Iga ivyerekeranye na **COVID-19 hamwe n’ibimenyetso vyayo.**

Iprogaramu ya kominote y’ikibano ni iki?

Iprogaramu ya kominote y’ikibano (vyongeye vyitwa urutonde rw’igihugu rw’iprogaramu ya kominote y’ikibano) ni ibibanza vyakira bigashikisha abimukira n’imiryango y’impunzi,cane cane abagore bafise abana bakiri bato.

Iprogaramu ya kominote y’ibibano iri mu mashuri mato mato kandi ifasha abantu kwiga Ikingereza, kwiga umwuga mushasha, kuronka akazi kandi no gutanga imfashanyo kugira ngo umuntu ashikire imfashanyo zitangwa n’ibikorwa vya Reta.

I progaramu ya kominote ’ikibano iri hehe?

- NSW: Parramatta, Blacktown, Canterbury Bankstown, Fairfield, Cumberland, Wollongong, Liverpool
- VIC: Brimbank, Dandenong, Hume, Banyule, Geelong, Shepparton
- QLD: Logan, Ipswich
- SA: Port Adelaide – Enfield, Salisbury

Urutonde rw’amashuri y’intango arimwo progaramu ya kominote y’ibibano hamwe n’ido n’ido yaho ushobora kuyaronka ni **ngaha.**

Ibikorwa vyo muri kominote y’ibibano itanga?

Ibikorwa bitangwa biratandukanye hagati ya makominote y’imibano, kugira ngo bamenye ko bahwanye n’ibibazo hamwe n’ivya nkenerwa vy’ikibano cabo co mu micungararo. Uburorero bw’ubwoko bw’ibikorwa ni nk’ubu bukurikira:

- Imirwi ikinira hamwe n’urutonde rw’abakiri bato cane
- Amashuri y’Ikingereza n’intonde z’ukuganira Ikingereza
- Ingeso nziza n’uburyo bwiza bwo kubaho hamwe n’inganda zigisha ubundi buhinga n’imyuga hamwe n’imigwi
- Ukugira uruhara rw’abavyeyi hamwe n’ukubahugura mu kubaha ubumenyi
- Indimi z’abana n’intonde z’ukumenya gusoma no kwandika
- Uburyo bw’ikorabushake hamwe n’ugushigikira akazi
- Kwiga ivy’imyuga babifashijwemwo na TAFEs hamwe n’amashirahamwe yemerewe gukorera ku mugaragaro
- Inganda zo gufasha abantu kwiga imyuga
- Inyungu mu kintu kanaka hamwe n’imigwi y’ikibano
- Kugira ingendo hamwe n’imirwi ija gutembera
- Kurungikwa mu zindi ntonde zishobora gufasha mu bibazo bimwe bimwe bazobereye gufashamwo

Ndemerewe kuronka ivyo bikorwa?

Abimukira bose baremerewe kandi barahawe ikaze mu progaramu ya kominote y’ibibano. Barashingira cane ku bagore b’abimukira bafise abana.

Noronderera hehe izindi nkuru zijanye n’ibikorwa bitangwa na kominote y’ikibano?

Nimba ushaka izindi nkuru zirengeye izi tuguhaye ronderera ku rubuga ngurukanabumenyi kuri **Community Hubs** canke hamagara kuri 03 8614 3430.